REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

ITANGAZO RYEREKEYE AMATORA Y'UMUKURU W'IGIHUGU.

1. Umurwi w'igihugu wigenga ushinzwe gutegura amatora (CENI) uribukije Abarundi n'Abarundikazi ko amatora y'Umukuru w'igihugu azoba ku munsi wa mbere igenekerezo rya 28 Ruheshi 2010 mu gihugu cose.

2. Ayo matora, nkuko mubizi, atangura isaha cumi na zibiri zo mu gitondo agahera isaha cumi z'umuhingamo.

3. Umuntu agiye gutora yitwaza ikarata yiwe y'itora (Carte d'électeur) n'ikarata karangamuntu (Pièce d'identité) canke ibindi bimuranga vyemewe n'amategeko.

4. Uwuje gutora baca bamuha ikarata y'uwitoza hamwe n'amabahasha abiri, rimwe ryera n'irindi ryirabura, agaca aja mu bwiherero. Uwitoza umushimye, ikarata yiwe (bulletin de vote du candidat) uyishira mw'ibahasha ryera. Udashimye kumutora, ikarata yiwe uca uyishira mw'ibahasha ryirabura.

5. Umuntu asohoka ava mu bwiherero yerekana ayo mabahasha abiri yose yugaye. Ibahasha ryera uryinjiza mw'isandugu ritoyi ; ibahasha ryirabura, naryo uryinjiza mw'isandugu rinini...

6. Umurwi CENI uribukije Abarundi bose ko gutora ari agateka k'Umurundi wese. Nta muntu n'umwe arekuriwe kukwaka ubwo burenganzira.

7. Uraja guserura ikiri ku mutima rero, ntihagire uwugutera ubwoba, umutekano w'amatora uzoba ucungerewe bikwiye.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 21/06/2010

Pierre Claver NDAYICARIYE
Umukuru wa CENI.

Siège : Commune Ngagara, Q. Industriel, Blv de l'OUA, Rue Nyankoni, Parcelle n° 690/C, B.P. 1128 Bujumbura, Tél : 22 27 44 64/22 27 44 62, e-mail : burundiceni@yahoo.fr